**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**CABINET DU PRESIDENT**

**LOI N°1/ 03 DU 23 JANVIER 2021 PORTANT COMPLEMENT DES DISPOSITIONS DU CODE DE PROCEDURE CIVILE RELATIVE A LA REINSTITUTION DU CONSEIL DES NOTABLES DE LA COLLINE**

---

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi n° 1/ 010 du 13 mai 2004 portant Code de Procédure Civile ;

Vu la Loi n° 1/08 du 17 mars 2005 portant Code de l'Organisation et de la Compétence Judiciaires ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

**PROMULGUE :**

**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**IBWIRIZWA INOMERO 1/ 03 RYO KU WA 23 NZERO 2021 RYUNGANIRA INGINGO Z'IGITABU C'AMATEGEKO AGENGA ITOHOZA N'IBURANISHWA RY'IMANZA Z'AMATATI, RYEREKEYE UKUNAGURA INTAHE YO KU MUGINA**

---

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/ 010 ryo ku wa 13 Rusama 2004 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga itohoza n'iburanishwa ry'imanza z'amatati ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga itunganywa n'ububasha bw'ama Sentare;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

**Article 1 :**
Il est réinstitué sur toute l'étendue de la République, au niveau de la colline de recensement, un Conseil des notables dont les missions sont fixées par la présente loi.

Aux termes de la présente loi, la colline a le même sens que le quartier en milieu urbain.

Les membres du Conseil des notables portent le titre de *"Abahuza bo ku mutumba canke bo muri karitiye"*.

**Article 2 :**
Le mode et les conditions d'élection, d'éligibilité et de remplacement des membres du Conseil des notables sont déterminés par décret.

**Article 3 :**
La durée du mandat des membres du Conseil des notables est indéterminée. Cependant la qualité de membre du Conseil des notables se perd dans les cas suivants :

1° le décès du membre ;

2° les manquements graves à sa mission constatés par le Conseil des notables ;

3° la condamnation à une peine délictuelle ou criminelle ;

4° l'incapacité physique ou cognitive ;

5° l'indisponibilité ;

6° la démission ;

7° toute autre cause pouvant entacher l'honneur du Conseil des notables.

## IGICE CA I: INGINGO NGENDERWAKO

**Ingingo ya 1**:
Mu Burundi bwose, ku mutumba wose wa rusansuma, Intahe yo ku mugina iranaguwe, imirimo yayo ikaba ishingwa n'iri bwirizwa.

Muri iri bwirizwa, mu gisagara ikaritiye ifatwa nk'umutumba.

Abagize Intahe yo ku mugina bitwa *"Abahuza bo ku mutumba canke bo muri karitiye "*.

**Ingingo ya 2:**
Ingene abagize Intahe yo ku mugina batorwa, ibiranga uwitoza muri ayo mabanga n'ingene hasubirizwa abayatakaje bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

**Ingingo ya 3**
Amabanga y'abagize Intahe yo ku mugina ntagira ikiringo arangirirako. Ariko, uwuri mu bagize Intahe yo ku mugina arashobora gutakaza ayo mabanga mu buryo bukurikira:

1° Apfuye ;

2° Akoze amakosa ahambaye mu kurangura amabanga ashinzwe bikemezwa n'Intahe yo ku mugina ;

3° Yaciriwe igihano kubera yakoze icaha gisanzwe canke gikomeye ;

4° Agize ubumuga bw'umubiri canke bwo mu mutwe ;

5° Atakironkera umwanya amabanga ashinzwe ;

6° Atanze imihoho ;

7° Habaye iyindi mvo yose ishobora gutosekaza iteka ry'Intahe yo ku mugina.

En cas de procédure d'exclusion pour causes de manquements graves à sa mission, indisponibilité ou toute autre cause pouvant entacher l'honneur du Conseil des notables, l'intéressé est préalablement entendu par le Conseil des notables.

Mu gihe c'ukwihweza ko uwuri mu bagize Intahe yo ku mugina yokurwa kubera yagirizwa amakosa ahambaye mu kurangura amabanga ashinzwe, ukutaronkera umwanya amabanga ashinzwe canke kubera iyindi mvo iyo ari yo yose ishobora gutosekaza iteka ry'Intahe yo ku mugina, uwagirizwa abanza kwumvirizwa n'abagize Intahe yo ku mugina.

**Article 4 :**
Le mandat des membres du Conseil des notables est gratuit. Cependant, ils bénéficient d'un encouragement dont le montant est déterminé par voie réglementaire.

La procédure devant le Conseil ne donne lieu à aucun frais.

**Ingingo ya 4:**
Abagize Intahe yo ku mugina ntibabihemberwa. Ariko barahabwa agashirukabute gatomorwa biciye mw'itegeko.

Mu kwitura intahe yo ku mugina nta buryo na bumwe bisaba.

## CHAPITRE II : DES ATTRIBUTIONS DU CONSEIL DES NOTABLES DE LA COLLINE

## IGICE CA II : AMABANGA INTAHE YO KU MUGINA IJEJWE

**Article 5 :**
Le Conseil des notables de la colline a une mission générale de conciliation des parties en litige. Le Conseil des notables est particulièrement chargé de :

1° recevoir les plaintes des parties en litige et donner son avis sur toutes les affaires civiles de la compétence des tribunaux de résidence ;

2° procéder à la conciliation des parties en conflit lorsque le litige n'est pas de l'ordre public et ne touche pas aux bonnes mœurs.

Le Conseil des notables peut également aplanir un conflit résultant d'une infraction en se prononçant sur l'octroi des dommages-intérêts qui en résultent pour autant que l'action civile y afférente soit de la compétence du tribunal de résidence.

**Ingingo ya 5:**
Intahe yo ku mugina ifise umurimo nyamukuru w'ukwumvikanisha abafitaniye amatati. Intahe yo ku mugina ishinzwe cane cane ibi bikurikira :

1° Kwakira ibirego vy'abafitaniye amatati n'ukugira ico ishikirije ku matati yose sentare z'intango zifitiye ububasha ;

2° Kwumvikanisha abafitaniye amatati mu gihe ayo matati aterekeye umutekano w'igihugu, kandi ivyakozwe bikaba bidatosekaza imico n'imigenzo myiza.

Intahe yo ku mugina irashobora kandi gutorera inyishu amatati avuye ku caha mu gushinga indishi bijanye mu gihe urubanza rw'ivyaha bijanye ruri mu zo sentare y'intango ifitiye ububasha.

**Article 6 :**
Le Conseil des notables ne peut en aucun cas se prononcer sur des peines.

**Ingingo ya 6:**
Intahe yo ku mugina ntiyigera ishinga ibihano.

## CHAPITRE III : DE LA COMPOSITION ET DU FONCTIONNEMENT DU CONSEIL DES NOTABLES DE LA COLLINE

**Article 7 :**
Le Conseil des notables est composé de quinze membres élus par l'assemblée collinaire.

Avant d'entrer en fonction, les membres du Conseil des notables prêtent serment devant l'assemblée collinaire et leur serment est reçu par le siège du tribunal de résidence de leur ressort.

Le serment est ainsi libellé :

*« Imbere y'Imana Mushoboravyose n'imbere y'abenegihugu, jewe ………, ndarahiye ko nzokwitanga ntiziganya mu guharanira ukuri n'ubutungane kuri bose. Niyemeje gutunganiriza abazonyitura bose ata co nsavye kandi ntaravye nkunzi, kugumya ibanga no mu gihe nzoba ntakiri muri aya mabanga.»*

**Article 8 :**
Le siège est composé d'un collège d'au moins cinq membres.

**Article 9 :**
La procédure suivie devant le Conseil des notables est fixée par les usages locaux. Elle est gratuite, publique, orale et contradictoire.

Les règles relatives à la récusation, au secret professionnel et à l'ordre public sont applicables devant le Conseil des notables.

**Article 10 :**
En cas de défaut de comparution non justifiée d'une des parties à double reprise, le Conseil des notables dresse un procès-verbal de non comparution et donne son avis sur le litige.

A partir de ce moment, chacune des parties peut saisir le tribunal si elle l'estime nécessaire.

## IGICE CA III : ABAGIZE INTAHE YO KU MUGINA N'INGENE IMIRIMO YABO ITUNGANIJE

**Ingingo ya 7:**
Intahe yo ku mugina igizwe n'abantu icumi na batanu batowe n'inama yo ku mutumba.

Imbere yo gutangura amabanga, abagize Intahe yo ku mugina barashikiriza indahiro imbere y'abagize Inama yo ku mutumba kandi iyo ndahiro yakirwa mu ntahe y'icese ya sentare y'intango ikorera mu karere umutumba urimwo.

Iyo ndahiro ishikirizwa uku gukurikira :

*« Imbere y'Imana Mushoboravyose n'imbere y'abenegihugu, jewe …, ndarahiye ko nzokwitanga ntiziganya mu guharanira ukuri n'ubutungane kuri bose. Niyemeje gutunganiriza abazonyitura bose ata co nsavye kandi ntaravye nkunzi, kugumya ibanga no mu gihe nzoba ntakiri muri aya mabanga. »*

**Ingingo ya 8:**
Mu Ntahe yo ku mugina hasasa n'imiburiburi umugwi w'abantu batanu.

**Ingingo ya 9:**
Ibikurikizwa mu manza zo ku mugina vyisunga ibisanzwe bigirwa ku mutumba Intahe yo ku mugina isasirako. Ibijanye n'izo manza ntibitangishwa amafaranga, imanza zicibwa ku mugaragaro, ababuranyi bakaburana ku munwa kandi bahinyuzanya.

Ingingo zijanye n'ugutaramura, izijanye n'ukugumya amabanga y'akazi hamwe n'ukubungabunga umutekano w'igihugu zirakurikizwa n'Intahe yo ku mugina.

**Ingingo ya 10:**
Mu gihe umwe mu bafitaniye amatati atarengutse ata mvo, bikaba incuro zibiri, Intahe yo ku mugina iragira icegeranyo c'uko atarengutse, ikagira n'ico ishikirije ku matati iba yashikirijwe.

Kuva icegeranyo kigizwe, umwumwe wese muri abo arashobora guca yitura sentare igihe

abona ko bikenewe.

**Article 11 :**
A l'issue de la procédure, le Conseil des notables délivre aux parties une copie du procès-verbal contenant la décision ou l'avis motivé de l'instance et qui mentionne :

1° la date et le lieu de l'instance ;

2° l'identité des parties ;

3° l'objet du litige ;

4° les témoins entendus avec le résumé de leurs dépositions ;

5° la solution proposée ;

6° les noms des notables qui ont participé à l'instance.

Le procès-verbal est cosigné par les parties et les notables qui ont participé à la conciliation.

**Ingingo ya 11:**
Intahe yo ku mugina ihejeje kwihweza amatati, iraha abafitaniye amatati ikopi y'icegeranyo kirimwo ingingo canke iciyumviro cayo gitangiwe imvo kandi hagashirwamwo ibi bikurikira :

1° Igenekerezo n'aho intahe yasasiye;

2° Ibiranga abafitaniye amatati;

3° Icateye amatati ;

4° Amasura yumvirijwe n'incamake y'ivyo yasuye;

5° Umuti babonye ko ubereye;

6° Amazina y'abashashe muri iyo ntahe.

Icegeranyo gishirwako umukono n'abafitaniye amatati hamwe n'abashashe mu ntahe y'ukubumvikanisha.

**Article 12 :**
Sous réserve des vices de consentement, l'accord des parties est homologué, à la diligence d'une des parties, par le tribunal de résidence de leur ressort.

**Ingingo ya 12:**
Hatirengagijwe ko hashobora kuba ibitemeranijwe na bose, ivyumvikanyweko biremezwa na sentare y'intango ikorera mu karere umutumba urimwo, bisabwe n'umwe mu bafitaniye amatati.

**Article 13 :**
L'accord obtenu et homologué à l'issue de la procédure de la conciliation, devient exécutoire et a valeur d'un jugement définitif. L'exécution est assurée par les notables qui ont pris part à la conciliation, en présence des parties et des témoins.

**Ingingo ya 13:**
Abafitaniye amatati bamaze kwumvikanishwa, ivyumvikanyweko bikongera bikemezwa bica bishirwa mu ngiro kandi bifatwa nk'urubanza rwamaze kuba ntabanduka. Bishirwa mu ngiro n'ababumvikanishije, abari bafitaniye amatati n'amasura ari ho bari.

**Article 14 :**
En cas d'échec de la conciliation, la partie qui s'estime lésée peut saisir le tribunal compétent endéans quinze jours à compter du jour de la réception du procès-verbal.

**Ingingo ya 14:**
Mu gihe bidakunze ko abafitaniye amatati bumvikana, uwutashimishijwe n'ingingo yafashwe arashobora kwitura sentare ibifitiye ububasha mu misi itarenga cumi n'itanu baronse icegeranyo.

**Article 15 :**
Il n'est déféré devant le tribunal que des questions qui ont fait objet de débats lors de la

**Ingingo ya 15:**
Harungikwa gusa muri sentare ibibazo abafitaniye amatati bagiranijeko mu gihe

procédure de conciliation.

Avant toute instruction d'une affaire civile de la compétence du tribunal de résidence, celui-ci vérifie si les parties ont préalablement saisi le Conseil des notables de la colline.

Les témoins à entendre sont principalement ceux qui ont déposé devant le Conseil des notables.

**Article 16 :**
Le tribunal n'est pas lié par l'avis du Conseil des notables.

Le rejet de l'avis du Conseil des notables est motivé.

**CHAPITRE IV : DES DISPOSITIONS FINALES**

**Article 17 :**
Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Article 18 :**
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Gitega, le 23 janvier 2021**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Jeanine NIBIZI.**

c'ukubumvikanisha.

Imbere y'ugutohoza urubanza rw'amatati sentare y'intango ifitiye ububasha yashikirijwe, irasuzuma ko abafitaniye amatati babanje kwitura Intahe yo ku mugina.

Amasura yumvirizwa ni cane cane abasuye mu Ntahe yo ku mugina.

**Ingingo ya 16:**
Sentare ntibwirizwa kwisunga ingingo y'Intahe yo ku mugina.

Igihe ingingo y'Intahe yo ku mugina itisunzwe, sentare ibwirizwa gutanga imvo.

**IGICE CA 4: INGINGO ZISOZERA**

**Ingingo ya 17:**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Ingingo ya 18:**
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 23 Nzero 2021**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**UMUKURU W' IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**NIBIZI Jeanine.**